*Ruhuhuma 2023* *kirundi*

# Ndakundwa!

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

**Yezu aramwihweza yumva aramukunze.** (Mariko 10, 21)

Bakunzi b'Ijambo,

Waba ukiri muto canke ushaje, waba umugore canke umugabo, inyota yo gukundwa yama iriho. Niho hama haza mu buzima umwitwarariko w'ingene iyo nyota yozima. Mu myaka iheze jewe ivyo bintu jewe vyaranshikiye. Twari kumwe n'abagenzi twagiye mu mitumba. Twari ahantu hakirurutse nk'imetero 2000, aho ni ho twari twashinze amahema. Muri iryo joro sinagohetse. Niho naryamika imatara yanje ahari urutare runini. Hejuru inyenyeri zarasayangana. Muri ako kanya niho numva ikigumbagumba kimfashe. Emwe sinamenye ingene nakoroye amosozi. Jewe akantu gatoyi nkaba ndyamye muri aka karere amahero. Numvise ko ubuzima bufise agaciro. Ni ho nategera neza nti bwa bundi : ndashakwa kandi ndafise agaciro ntangere. Emwe ico ciyumviro nticigeze gisubira kumvirira.

Ibintu bisa n'ivyo, hari umwigishwa wo mu Nkuru Nziza yabiciyemwo .Yari yarakurikije amabwirizwa yose y'Abayuda, ariko akumva haracariho agahaze. Inyota yiwe ntiyari bwahere.Yaje rero kwa Yezu azananye iyo nyota. Yari azi ivyo ari vyo. Niho yumva ka kanyota gaheze koko. Yezu, aramwihweza yumva aramukunze.

Uko niko itorwa rimera. Ubuzima buraguhohera. Niho uca wumva ko waremewe ikintu gihambaye. Uraheza ukabitegera, ugaca ufashako. Narahwanye na Juliya aturuka muri Ukraine. Yava ahitwa Kherson. Yaranyiganiye ariragurika, ingene batagira umuyagankuba mu bitaro vy'igisagara yabamwo. Yari amaze kwegeranya ivyuma 9 bitanga umuyagankuba. Isoko yaragaragara ukamenga n'abakubuye Niho niyumvamwo iciyumviro ngo : pfa kubita mu rudubi. Maze amasaha 2 ndondera muri internet, niho haza iciyumvoro kiti, subira urondere umunota umwe. Ndabigira. Niho nabona aho bamye bandika bati „vyaraheze", ngo „ ntaco dushobora gutanga" naciye ndahabona ikindi Cuma gikoreshwa na Kilowatt 7,5. Mu misi mikeyi, bari bakiturungikiye. Umudereva w'umuduga yakizanye, ndamubwiye nti : iki Cuma kija muri Ukraine, ahitwa Kherson, yaciye agira ikigumbagumba, amosozi aratembera mu maso, aca ambwira ati: „uyu ni umusi wanje"! Ndabashimiye ukuntu mwitanga. jewe nturuka muri Libani ndazi ico bisigura kuronka imfashanyo. Muri ako kanya naciye niyumvamwo akanyamuneza , ndumva ko ubuzima bompobereye, - ntegera ko ari Imana impobereye. Nawe vyemere : ubuzima bugomba nawe kuguhobera uheze wibwire uti : ndakundwa - nkundwa urutagira igehezo!

Kubwa go4peace, Meinolf Wacker